**Corruption Within**
Acts 5:1- 11
**Lesson 165**

# HARI IKITAGENDA NEZA.

**Icirwa c'i 165**
Ivakozwe n'intumwa 5:1-11

Ijambo ngenderwako : « *Ariko Imana irazi imitima yanyu, kuko igishizwe hejuru mu bantu, ari igisesema mu nyonga z'Imana* » **Luka 16:15b**

## I. Intangamarara.

Mu gihe igikorwa c'intumwa cari kibandanije neza, hari ikitagenze neza. Umuryango umwe mu bizera bashatse gukora iciza mu gutanga ivyabo, ariko babikorana uburyarya. Ananiya n'umugore wiwe Safira bapfira imbere y'ishengero. Uyu mugambi wateguwe na Satani.

Iki gisomwa gitangurwa n'ijambo « **Kandi** » ni icerekana ko Luka yariko aravuga inkuru ibandanya. Twizera ko yariko ayikurikiza n'ivyariko birakorwa na Barunaba. Aba bose bagurishije amatongo yabo, ngo bazane amahera ku birenge vy'intumwa.

## II. Uburyarya bw'umugore n'umugabo.

Iri jambo (Uburyarya) ryakoreshwa igihe abakinyi b'amareresi mu Bugiriki bambara ama maske mu maso ntushobore kumenya uwuriko arakina koko. Uru rukino nirwo Ananiya na Safira bakoze. Ubaye uriko ubitegereza mu maso, ukumviriza imvugo nziza bakoresha, woca wemeza ko ari abagorortsi. Uburyarya bubonekera mu kubesha. Ububeshi nk'ubu burakomeje mw'ishenger ry'ubu, aho abizera babesha, bakabesha n'Imana muvyo batanga mu bigiracumi n'amashikanwa, uku kwa Ananiya na Safira.

Muri iki gihe abantu ntibubahuka kwegera aho intumwa bakoraniye, ariko Ananiya n'umugore wiwe bakora inama yo guhenda Umwami Yesu. Ngibi ibiranga uyu muryango

1. Ananiya n'umugore wiwe bashatse kuboneka neza imbera y'abantu, batubashe Imana. Bagitegura uyu mugambi, kwari kwambara maske. Ananiya yoba yarabajije Safira ati : Umbona/ uvyumva gute ? Nawe ati : Uboneka uri umukristo mwiza w'impwemu n'ubwenge. Ntukwiye kumera nka barunaba atangira Imana vyinshi kurya. Iyi nama yari irongowe na Satani kuko ari we se w'ibinyoma vyose ; nabo baramwumvira.

2. Ikindi kiranga uyu muryango, ni uko ivy'Imana bavyinjiyemwo nk'ikiryoha, Petero aramubaza ati : « Ananiya ni igiki catumye Satani yuzuza umutima wawe kubesha Mpwemu Yera ? » Yiyumva atosiga inyuma mu mugambi wo kubana n'intumwa, ariko ivy'ubugingo budashira, ntibabihaye nagaciro. Birasa n'abanyeshengero batabura gukora amabi, igihe basanze bari mu kibanza tawubazi.

## III. Amabi y'ikinyoma n'igihano caco.

Amabi yose ari mw'isi, yatewe n'ikinyoma cabereye mw'ijuru no mw'isi bikozwe na Satani :
1.Mw'ijuru : **Soma Yesaya 14 : 13-17:** Satani yari ikiremwa co mw'ijuru, yashizwe hejuru n'Imana, ntiyanyurwa n'ico cubahiro. Akora ikinyoma gitera umugumuko ; icagatatu c'abamarayika bose bamuja inyuma. Bateza intambara mw'ijuru. Impembo yavuye muri iki kinyoma ni uku gutabwa mu bwigobeko bwa rwa rwobo. Ntawokeka ko Satani

n'abamarayika bamwemeye bafise agahinda nrw'ingene babaye mu marimbi, mu mashamba, masako,…. Imana yarakunda aba bamarayika biwe. Igihe cose umuntu wo mw'ishengero ariko arabesha, aba yibukije Imana ikinyoma cabereye mw'ijuru, bikavamwo gutakaza ibiremwa vyiwe. Nico gituma ijambo ry'iwe rivuga ko umuntu wese akunda kubesha, akabikora, azosangira umugabane n'imbwa, abarozi,.. Inyuma y'urugo.

2.Mw'isi. **Soma Itangur. 3:1-5** Iyi nkuru yabereye mw'itongo rya Edeni. Satani yihisha mw'ishusho y'inzoka ; abesha uyu mugore. Nawe nyene yari yamusezeraniye kuzomera nk'Imana niyo yumvira agakora ico amubwiye. Imana iti : « *Ni warya uzopfa* », Satani ati : « *Haba n'intete ntuzopfa* ». Amaze kumvumvira, yasanze yambaye ubusa n'umugabo wiwe. Icaha kiba cinjiye mw'isi, umuntu n'abamukomokaka baba babaye mu vyago : Inrwara zirugururirwa, ibitaro birubakwa, ama moroge n'amarimbi birategurwa, inzara, amakambi y'impunzi bishirwaho. Ibi vyose biterwa n'ikinyoma cabereye muri iryo tongo.

Petero abwira ananiya ati : Si abantu uhenze, Imana niyo uhenze. Ananiya yumvise ayo majambo aca arwa bukumbi ; umugore arakurikira. Uduhera bagabanije, ntibaronse akanya ko kuturya. Abana bazi ko abavyey bagiye guhimbasza Imana, bashikiwe n'inkuru mbi ; abavyeyi babo baguye ahera, bacitse impfumvyi. Igihano c'umunyakinyoma kiba giteguye. Satani yanejerejwe n'uru rupfu kubera bapfanye icaha mu kanwa bataronse akanya ko kwihhana. Hari aho Satani akorokereza umuntu mu caha, akaba yateguye urupfu rwiwe giturumbuka atararonka akaryo ko kucihana. Aho, akaba amushikiriye naho yoba yakoreye Imana imyaka myinshi.
Urashobora kubona uhenda abakozi b'Imana canke umugore/ umugabo wawe n'abandi,.,.. ukabona ntaco bitwaye. Ni wame witeze inkurikizi ukiriho n'igihano gikomeye inyuma y'urupfu.

## IV. Gushira mu ngiro.

Ushobora kubona ko hari aho ikinyoma gituma usohoka mu kibazo, harya niho uba ukinjira mu kibazo imbere y'abantu n'Imana.
Naho yoba umugabo wawe, ntukwiye gufatanya na we mu kinyoma, naho woba ubona ko mwobikuramwo inyungu z'umubiri. Ukwiye kumuhanura ukoresheje ijambo ry'Imana. Muvyo utangira Imana, koresha ukuri canke ubireke kuko bikiri iwawe ni ivyawe. Erega Imana irazi imitima yanyu. Kura maske wambaye, reka abantu bakumenye uwo uriwe, bitabaye uko, umenye ko ugenda warapfuye nka Ananiya na Safira.

Imbabazi z'Imana ziracariho, emera uhaguruke, usenge, wihane, ukurikire ukuri wemerwe n'Imana, uhabwe ubugingo budashira.